Kuriha amafagitire

Uburyo bwo gukoresha amahera

Ifagitire ni iki?

Ifagitire ni ikiguzi c'ivyo umuntu yakoresheje, nk'akarorero: amazi, gaze, umuyagankuba, iterefone yo munzu, interineti. Uronka ifagitire kuri buri kintu cose wakoresheje

Ni ibihe bintu nshobora kurungikirwako fagitire?

Uzoronka ifagitire ku mazi, gaze, umuyagankuba, iterefone yo munzu, interineti

Ni gute nokwishura fagitire?

Hariho uburyo bwinshi bwo kuriha fagitire. Ibi biba bisobanuye ku rupapuro rwa fagitire urungikirwa. Urashobora gukoresha nomero zawe za conte ya banki ukoresheje terefone canke interineti. Urashobora kwishikira kw'iposita, canke ugakoresha kurungika ico bita sheke, canke maney order. Igihe uronka amahera yo muri Centrelink, urashobora gukoresha uburyo bwitwa Centrepay, aho Centrelink igukurako amahera kuyo usanzwe uronka ikayarungika kubo usanzwe uriha amafagitire. Urashobora gukoresha ubundi buryo bwo gusaba banki yawe ikarungika ayo mahera buri uko bikenewe, ubanje kuzuza impapuro z'abo bakugurishako ivyo wishurira, baca bazirungika kuri banki

Bigenda gute iyo ntashoboye kwishura amafagitire yanje?

- Uca uhamagara mu ishirahamwe ryakurungikiye iyo fagitire hakiri kare
- Urashobora kuronka uburyo bwo kubonana n'umuhanuzi w'ivyerekeye amahera
- Kirazira kwirengagiza ingorane

Ibuka

- Ifagitire ni ikiguzi c'ivyo uba warakoresheje, akarorero: amazi, gaze, umuyagankuba, iterefone yo munzu, interineti
- Buri wese arafise ifagitire yo kwishura

Ni hehe umuntu yoronka izindi nkuru

Ufise ikibazo co kuriha ifagitire, hamagara abahanuzi bazobereye mu vyo gukoresha amahera ku nomero 1800 007 007, canke uce uhamagara inomero ziba zanditse kuri fagitire waronse.

Ushaka izindi nkuru ku vy'abahanuzi b'ivy'ugukoresha amahera, raba kuri interineti ya MoneySmart: **www.moneysmart.gov.au** canke uhamagare kuri 1300 300 630

Ushaka inkuru zijanye n'umuntu akurikirana ivy'ugutumatumanako, raba kuri interineti: **www.tio.com.au** canke uhamagare ku nomero: 1800 062 058.

Ushaka inkuru zijanye n'umuntu akurikirana ivy'umuyagankuba n'amazi, raba kuri interineti: **www.moneysmart.gov.au** urabe ahanditse "utility bills"

MONEYSMART

Ronka imfashanyo za gusa ku bajejwe gutanga impanuro kuvyo gukoresha amahera

Reda na Heba bafise ibibazo vyo kuriha amafagitire yabo. Ntibazi ivyo bagomba kuriha canke igihe bagomba kuvyishurirako.

Baribuka ko bagishika muri Australia bagiye mu nama nyigisho, aho umukozi ajejwe gufasha abaje bushasha mu gihugu yariko atanga inkuru. Uyo mukozi yarasiguye bimwe mu bikorerwa muri ako karere. Kimwe muri vyo cari uko umuntu ashobora kuronka imfashanyo zivuye ku bazobereye gutanga impanuro kuvyerekeye gukoresha amahera.

Reda na Heba barashobora guhamagara muri iryo shirahamwe bagasigura ikibazo cabo canke bagafashwa na barya bajejwe gutanga impanuro kuvyo gukoresha amahera, kuri gusa. Bahisemwo kuvugana n'abajejwe gutanga impanuro kuvyo gukoresha amahera, kuko batari bazi ico boza baravugana na buri shirahamwe kuri terefone.

Uwujejwe gutanga impanuro kuvyo gukoresha amahera yitwa Mary, abanza gusigura akazi kiwe. Kimwe muvyo bakora ni ugufasha abantu gupanga gahunda y'ingene amahera akoreshwa, canke gufasha abantu gupanga ingene bishura ideni bafise. Reda na Heba biyumva neza ubu ko bavuganye na Mary.

Mary afasha Reda na Heba, mu kubahamagarira ya mashirahamwe kugira ngo bumvikane ingene boza barishura make make bashoboye. Umunsi ukurikira Mary ahamagara Reda na Heba, kugira ngo abasigurire ivyo yagize vyose, kandi abasaba kwandika igihe amafagitire azoba ageze kwishurwa, namahera bategerezwa gutanga, umwe umwe. Abasaba gukoresha ikirangaminsi, kugirango bashire ikimenyetso ku gihe buri fagitire ikeneye kwishurirwa.

Reda na Heba bashimira Mary ku mfashanyo. Nyuma yo kuvugana, baca bandika ibintu vyose ku kirangaminsi, amafagitire ageze kwishurwa, igihe hamwe n'igitigiri c'amahera gikenewe kuri buri yose.

© ASIC 2012 all rights reserved

This page has been left intentionally blank.

© ASIC 2012 all rights reserved